Uwo uri wese ubahirizwa


LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "

# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

**N°522 Co kuva kuwa 13Ndamukiza gushika kuwa19 Ndamukiza2026**

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 19Ndamukiza 2026, abantu bashika 864 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 780 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'uru-nani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**IBIRIMWO**

*0. INTANGAMARARA.....5*

*I. UMWIHWEZO .....5*

*II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE.....10*

*III.UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA..... 14*

*IV. UBURENGANZIRA KU MIGWI.....15*

*V. UGUSOZERA N'IBISABWA..... .15*

### INDINGANIZO SHASHA Y'INTWARO YO KUVA KUWA 16 NTWARANTE 2023



# *IMPUNYAPFUNYO*

**CNDD-FDD** : *Inama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunanirukingira intwaro rusangi (umugambwe uri ku butegetsi)*

**RDC** : Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo

**BRB** : Ibanki ya Repuburika y'uBurundi

**FDLR** : Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda

**FOMI** : **Ihinguriro ry'umwavu w'ikizungu**

**COOPEC** : Ishirahamwe ryo kuziganya no ku guranana

**CDS** : Ikigo c'amagara y'abantu

# *URUTONDE RW'IBIRIMWO*

0. INTANGAMARARA......................................................................................................5

I. UMWIHWEZO............................................................................................................5

I.1. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO ........................................ 5

I.2. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE ......................................................................6

I.3.UMWIHWEZO W'INTWARO ..............................................................................7

II. *UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE* ......................................10

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA .......................................................................10

II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE ..................................................................................10

II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABAKORERA LETA ...............................................10

II.1.1.2. ABANTU BISHWE KUBERA UKWIHORANA ..........................10

II.1.1.3. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE CANKE ABATOWE IBIZIGA ..........................................................................................................11

II.1.2.UKUNYURUZWA CANKE UKUBURWA IRENGERO ......................................12

II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA ..................... 12

II.2.1. UKUBOREZWA IGUFA N'UGUFATWA BUNYAMASWA CANKE AYANDI MABI ......12

II.2.2. UGUFATA KU NGUVU.........................................................................................13

III. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA .........................................14

III.1. UBURENGANZIRA KU NDERO ......................................................................14

IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI......................................................................... 15

IV.1. AGATEKA KO GUKINGIRWA AMABI NO GUFATWA MPIRI KU BANA............................................................................................................15

V. UGUSOZERA N'IBISABWA.........................................................................15

# *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi muri ino ndwi yo kuva kuwa 13 gushika kuwa 19 Ndamukiza 2026.Muri iki cegeranyo,umuhari iteka uranihweza ishusho y'umutekano, ubutungane,intwaro hamwe n'ubutunzi.Kirihweza kandi amabi yerekeye ihonyangwa ry'uburenganzira bw' abantu no muri politike yaranze iyi ndwi.

Amabi y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu yibonekeje kandi yatohojweko n'umuhari Iteka ameze ugukwirikira: n'imiburiburi abantu 6 barishwe harimwo 3 batowe ibiziga,abantu 3 bafashwe bunyamaswa canke bafashwe mpiri,abakobwa 2 b'abana bakorewe amabi afatiye ku gitsina hamwe n'umuntu 1 yanyurujwe.Twomenyesha ko hasubiriye kuboneka umuntu 1 hari haciye imisi anyurujwe.Ku bakorewe amabi bashika 10, batatu ni abana harimwo udukobwa tubiri n'uruyoya.

Ahanini abikekwako ayo mabi ni abakorera Leta,abapolisi,abasirikare n'Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD.

# *I. UMWIHWEZO*

## *I.1. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

### Urudandazwa rwo ku mupaka hamwe no gushigikira indyane

Inkuru umuhari Iteka warose kuwa 19 Ndamukiza 2026 ivuga ko uruja n'uruza rw'ibimodoka binini ruteye amakenga rwibonekeje muriyo misi ku mupaka w'i Kobero.Kubwo amasoko amwe amwe,izo ngendeshwa zirashika ku butaka bw'uBurundi zipakiye ibirwanisho hamwe n'amasasu biza mu Burundi no muri Kongo.

Zigarutse,zigenda zipakiye imwe imwe yose.Isoko rya gisirikare rivuga ko urukwirikirane rw'ububegito bw'intwaro bwikika mu kiza ivyo bimodoka bisubiye inyuma bakabishoramwo mu mpisho ubutare butandukanye (coltan, cassitérite, quartz, ...) bucukurwa mu burere bwo mu buraruko,mu buraruko bushira ubuserukohamwe no mu buraruko bushira uburengero bw'uBurundi. Vyongeye,ubutare buvuye muri Kongo bwoba burangurura muri ikigihe buciye mu Burundi buja muri Tanzaniya.N'aho inkomoko nyezina y'ivyo bidandazwa itaremezwa,biratomoye ko inzahabu za Kongo zitembera kuva kera mu Burundi, ziciye mu Banki ya Repuburika y'uBurundi (BRB), hakoreshejwe ikimenyetso c'uBurundi kandi Kongo irasahiriza mu buryo buboneka uburyo bukoreshwa mu ndyane z'akarere haciye imyaka 10,bagashigikira nk'imigwi irwana nk' Imbonerakure n' Interahamwe (FDLR) ishigikira intwaro zihari.

### Amasasu yumvikanye muri komine Cankuzo, intara ya Buhumuza

Mw'ijoro ryo kuwa 16 Ndamukiza 2026, hafi isaha 5 z'ijoro,ku soko ya kera yo mu Cankuzo, karatiye y' urudandazwa, zone na komine

Cankuzo, intara ya Buhumuza, umupolisi ataramenyekana yararashe amasasu menshi mu kirere. Abantu bari bakiri mu bunywero baramwatse inkoho.Mu maguru masha, abapolisi bariko barakizura baratabaye.Baratoye inkoho baca bamutwara mw'ibohero rya komisariya y'intara y'igipolisi mu Cankuzo aho apfungiwe.

## I.2. I.2. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE

### Irekurwa rya colonel de police, ingingo y'ubutungane itahurijweko igarukana ibibazo ku kukudahengama kw'ubutungane k'u Burundi

Colonel de police Moïse Arakaza, azwi kandi kw'izina rya Nyeganyega,yaratezuriwe kuwa 15 Ndamukiza 2026 inyuma y'umutaga,inyuma yo gupfungwa amezi menshi mw'ibohero rya Bururi.Uko gutezurirwa vyabaye kubera ingingo ya sentare nkuru y'igihugu ya Bururi,yari yamukatiye ihadabu ry'amahera angana na 1 000 000 fbu kubera guhungabanya ubutunzi bw' igihugu.

Kubwo isoko ryo mu butungane bwaho,uwuburanira Leta yarashimye urubanza,babona gushira mungiro ingingo yorohereza iyo ntwazangabo.Twomenyesha ko Moïse Arakaza yahagagaritswe muri 2025 mu Rumonge yagirizwa urudandazwa rw'igitoro mu kinywabi.Ivyavuye mu matohoza vyerekana ko yari kw'isonga ry'ingendeshwa yakorewe gutwara igitoro bitemewe n'amategeko kivuye muri Tanzaniya.

Mugihe yafatirwa mu Kigwena,yoba yarateye ubwoba abapolisi baraba ivyo mw'ibarabara bariko bagerageza gufata iyo ngendeshwa.

Kuva ahagarikwa,yarapfungiwe mw'ibohero rya Bururi mukurindira ibiva mu butungane.Vyongeye colonel Arakaza yaravuzwe mu mabi yo guhonyanga agateka ka zina muntu mu makomine atandukanye y'intara ya Bururi, nka Mugamba na Matana,no mu bundi burere aho yarangurira amabanga.

**Impinyanyuro mu butungane ishobora kuzana icizere canke ikaba intambamyi mu ma komine y' intara ya Burunga.**

Mu makomine ya Makamba na Nyanza,mu ntara ya Burunga, impinyanyuro mu gisata c'ubutungane bitera ivyizigiro hamwe n'amakenga mu banyagihugu.Mugihe abahaba bakenguruka akigoro kagamije kwegereza ubutungane abanyagihugu,abandi bashikiriza ibitagenda neza bimaze kuburabuza ugushikira ubutungane.

Ku ruhande rumwe,abanyagihugu benshi barakenguruka uburusho bw'indinganizo nshasha z'amasentare.Iryo tunganywa rishasha ryotegerejwe,kubwo abo,rirabapfunyira ingendo zirezire ubwambere bategerezwa gukora,kenshi ku giciro kinini.

Intambwe iboneka mu mwihwezo aho gushikira ubutungane biguma ari ingorane ikomeye ku banyagihugu bo mu gihugu hagati.

Ariko rero,kurubuga,ishirwa mungiro ry'iyo mpinyanyuro ntivyimirije kugabanya ingorane.Abituye ubutungane bemeza ko batakirwa iyo bituye ku masentare amwe amwe.

Abandi bashikiriza amasango adatomoye,abatuma kugwiza uruja n'uruza,ku biciro vy'umurengera hamwe no gutakaza umwanya munini.

Amakenga ari kandi kw'ikwiragiza nyezina ry' amasentare y'intango,mugihe ryari ritegekanijwe mu ma zone yose.Kubera ikubura inyubakwa zibereye,ishirwaho ryaratevye bigatuma habura icizere ko iyo mpinyanyuro izogira akamaro vuba.

Kuri izo ntambamyi hiyongerako uburyo abacamanza bakorera muri ayo masentare mashasha bakoreramwo. Ukubura uburaro mu mazone amwe amwe,bivanze n'ukubura uburyo bwo kwiyunguruza,bishobora gutuma ubutumwa bwabo bugora.Ku rundi ruhande bitura ubutungane bashobora gusanga hakenye abashingwamanza, bigatuma bigora kuronka ababafasha kuburana.Abacamanza bamwe bamwe baranemeza izo ngorane.Mu kurindira ugushira mungiro nyezina ry'impinyanyuro,imanza nyinshi zivuye mu ma zone biraba ntizigicibwa,mu kurindira ko zirungikwa mu ma sentare atarabaho.Mu rugendo rwagizwe n'umukuru wa sentare nkuru y' igihugu,umuserukizi Gamaliel Nkurunziza yagize kuwa 16 Ndamukiza 2026,izo ngorane zarashikirijwe mu buryo buramvuye.Uwurongoye sentare ihamagaza imanza iMakamba, Gloriose Nduwimana, yaragize ikigara kiraje ishinga c'uko vyifashe. Yaradomyeko nko kubura abakozi bikabije: sentare zimwe zimwe zifise nk'umucamanza umwe,atawuhagararira Leta,mugihe izindi zikora zitagira abanditsi b'imanza.Ingorane mu buryo bukoreshwa nayo nyene ibabaje.Kubwiwe,nta sentare n'imwe ifise uburyo bwo kwiyunguruza,kiretse sentare ihamagaza imanza ifise ingendeshwa imwe yonyene.Kuri ivyo hiyongerako ukubura inyubakwa bikabije zokoreramwo izo sentare nshasha,na cane cane ku rwego rw'amazone.

Kuri iyo myitwarariko,umukuru wa sentare nkuru yaremeye ko hariho izo

## *I.2. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE (Ibikurikira urupapuro 6)*

ngorane,akanabizeza.Yaremeje ko ingingo zo kumenyereza zishobora gufatwa kandi amasentare ashobora kuba arakorera mu nyubakwa z'uburongozi bw'ama zone.Abanyagihugu bamenyesha ko i biro vy'ama zone mavyo nyene bidakwiye,hamwe hamwe inyubakwa zitarangiye canke zononekaye.Muri ico gihe,amakenga ku bushobozi bw'igisata c'ubutungane gukora neza mubi bihe nk'ivyo.Hagati y'intumbero z'impinyanyuro n'ibibonekaku rubuga, ubutungane i Makamba uno musi buracumbagira.

Intumbero bihaye zikaba zarashimwe,ishirwa mu ngiro ryazo riguma ari intambamyi ikomeye iriryo rizozana icizere c' abanyagihugu mu gisata c'ubutungane.

### **Ukwivanga kw'inzego z'umutekano mu butungane bw'uBurundi**

Kuwa 14 Ndamukiza 2026,ku mutumba Rwingoma muri zone Buhiga,komine Karusi, intara ya Gitega,Mbazumutima Elysée, umunyamabanga w'Imbonerakure ku rwego rwa komune muri komine Karusi akaba n'umugenduzi w'indero muri zone Buhiga,afise imyaka 35,yarahagaritswe aca arapfungwa mw'ibohero rya Gitega n' umushikirizamanza mu kuru.Kubwo intahe dukura mu karere,yagirijwe ko yakubaguye umuntu avuka mu Gihogazi,w'incuti y' umushikirizamanza mukuru,amwagiriza ko yatwaye imisore 5 muri Tanzaniya kubagurisha nk'abubatsi.Ayo masoko nyene avuga ko uwo yakubaguwe yashizwe mu bitaro ahantu hatazwi,kubera ukwanka ko bihora,kandi ko ivyo vyabereye ku mutumba Rwingoma,ku gacimbiri Rwingoma,ku nkengera y'ibarabara ry'igihugu rigira 12.Kuwa 15 Ndamukiza 2026,hafi igihe c'isaha 11,Mbazumutima Elysee yaratashe muhira,kandi amasoko ahegereye yigana ko yatezuriwe kw'itegeko ry'intwazangabo général de police yitwa Isidore, avuka mu yahoze ari komine ya Gitaramuka mu yahoze ari Karusi.

## *I. 3. UMWIHWEZO W'INTWARO*

### **Akababaro k'abanyagihugu mw'itangwa ry'amatongo ya Leta**

Kuwa 27 Ntarante 2026 gushika kuwa 13 Ndamukiza 2026, ku butaka bw'igihugu, akigoro ko kwandika amatongo ya Leta kazotangura mu ntumbero yo kumenya amatongo atawuyabamwo bazoha imiryango y'amikoro makehamwe n'aBatwa.Muri komine Kirundo, ico gikorwa caragize inkurikizi mbi,kubera amatongo ubwambere yarimwo impunzi z'abanyarwanda zo mu 1959 ubu asigaye afatwa nk'aya Leta.N'amatongo yari yatanzwe n'aBaganwa, aBatware n'Umwami, naho yari yanditswe, vyarabakozeko kubera atabiyaranga bafise vyemewe. Mugihe hakorwa intonde z'abayahabwa,abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi bonyene nibo baharurwa.Nk'akarorero kavyerekana,muri zone Kigina,kuri47 bayarose,haharurwa a Batwa 9,aBatutsi 4 n' aBahutu 33,bose bari muri CNDD-FDD.Imigwi yashizwe ho ku rwego rwo kumutumba n'urwa zone, yararose amategeko yihishije bahawe n' abanyamabang ba CNDD-FDD mu ma zone kukungene bazotegerezwa kubikora, kunyungu z' umugambwe urikubutegetsi, icatumye hatangwaamatongo yagarujwe.Ako kigoro karateye umubabaro munini mu banyagihugu.

## *I. 3. UMWIHWEZO W'INTWARO(Ibikurikira urupapuro 7)*

**Ukubura umwavu w'ikizungu bikabije muri komine Muyinga,Muyinga, intara ya Buhumuza**

Kuwa 17 Ndamukiza 2026,muri komine Muyinga, intara ya Buhumuza,abatwara ama karatiye barahamagariye abarimyi bashaka ifumbire y'umwavu w'ikizungu mu mwaka w'irima C kwiyandikisha hamwe n'abatararonka ifumbire yo mu myaka y'irima A,B,ahamagara abanyagihugu bo ku mutumba Kinyota kuza kwiyandikisha kugira bagure ifumbire ya FOMI atangorane.

Muri iryo tangazo,abo mu makaratiye Kigarama na Gasenyi,Muyaga na Rubiribiri bategerezwa kuja aho umukuru w'umutumba akorera hamwe n'abo amakaratiye. Hagati aho itangazo ry'uwurongoye igisata c'uburimyi n'ubworozi mu ntara ryababwira ko bategerezwa guheza kwiyandikisha kuwa 1 Ndamukiza 2026 batabimenyeshejwe kuva kwandikwa bitangura mugihe kuwa 17 Ndamukiza 2026 aho bakorera hari hugaye.Abarimyi ntibabona uwo bokwitura kubera bafise adupapuro barihiyeko twa kera cane batarahabwa ifumbire mugihe barishe amahera yayo yose. Baridoga ko biteba cane kubera kugira baronke umwavu birafata intambwe zirenga 8:kwiyandikisha ku mutumba;kuja kuriha amahera y'ibanze muri COOPEC;kuja gutonda ku murongo kugira uronke urupapuro urihirako;kuja kuriha ayasigaye kugira ukwize 100%;gutwara impapuro warihiyeko kubatanga ifumbire muri FOMI;kuza gutora udupapuro twemeza ko barishe ku batanga ifumbire FOMI;kuja kwandikisha utwo dupapuro ku mukuru w'umutumba hamwe no kuja gutora ifumbire umusi w'itangwa rikorwa n'abarongoye FOMI,abo mu ntwaro n'igisata c'uburimyi.

Izo ntambwe zose zikorwa ku musi 1 canke imisi 2 imwe yose kubera hama hariho imirongo umwusi w'iryo yandikwa.Iyo nzira ndende cane bifata ni uguta umwanya ku barimyi kandi basaba ko batosubiramwo kuriha ifumbire y'umwaka w'irima C mugihe n' udupapuro barihiyeko ibice vy'umwaka w'irima biheruka bataraturonkera umwavu atari uko ni ubusuma bukabije,basaba kandi ko ukugurisha ifumbire vyoshirwa mu minwe y'abagwizatunga bashoboye kuyikura hanze kandi bagashira ico kidandazwa kw'idoko nk'ibindi bidandazwa.

**Guhonya i Kibira ku nyungu z'umukuru w'igihugu**

Kuva mu ntango z'umwaka 2026,intambara y'ubutare ntiyasize inyuma ishamaba cimeza rya Kibira.Mugihe indongozi z'igihugu zo hejuru, nk'abafise amapete manini mu gisirikare no mu gipolisi,batunga bidaciye mu nzira nziza kubera ubutare bw'igihugu hamwe n'ubuva mu buseruko bwa Kongo, umukuru w'igihugu n'umutambukanyi wiwe hamwe n'ababegereye,umukuru w'ibiro bikuru vya gisirikare Prime Niyongabo, barigaruriye ibisata vya Kibira kugira bacukure bigenga.

Iryo cukura ririyamirizwa n'abacungera ishamba kama co kimwe n'ababa mu ma zone akorwako (Ruhororo, Mabayi na Butahana). Kuva haba isekeza ryo gucukura,ico gikorwa kiguma gihitana abantu no guhonya ibidukikije. Icukura ry'inzahabu rikoresha intoke mu bisanzwe risaba gukoresha ibiti vyinshi vyo kwubakamu kuzimu,gucana hamwe n'ibindi bijanye.

Kubwo ibiharuro vy'abahinga baho,hamwe iryo cukura ryobandanya mu myaka ibiri,ico gice c'ishamba kama rizoba ryahonye rwose.Ibinyabuzima,bihasinzikarira, bizotegerezwa guhunga bija mw'ishamba rya Nyungwe,n'urundi ruhande rw'urubibe w'uRwanda.Ku gutinya inkukura hamwe n' ibindi biza bitewe n'ihinduka ry' ibirere,abanyagihugu bahegereye barataka amakungu ko yotabara mu kurwanya icukura ry'ubutare muri ayo ma zone akingiye.

## *I. 3. UMWIHWEZO W' INTWARO(Ibikurikira urupapuro page 8)*

**Intererano zo ku gahato ku bigisha n'abayobozi b'amashure muri komine Mugina, intara ya Bujumbura**

Mugihe himirije umusi mukuru mpuzamakungu wahariwe abakozi n'akazi, abigisha hamwe nábandi bakozi ba Leta bo mu gisata cíndero bategerezwa gutanga intererano, ishika ku mahera 60 000 fbu kuri umwe umwe,kugira bitabe ku gahato ibirori vyo kuwa 1 Rusama.Nkuko Zéphyrin Nahimana, umukuru w'igisata c'indero muri komine Mugina abishikiriza, umwigisha wese canke umuyobozi atazokwitaba uwo musi mukuru azotakaza amanuta yiwe.

Abigisha hamwe n'abo mu ntwaro bidogera inguvu n'iturubikwa vyakoreshejwe mu gutoza ubwo buryo.Baributsa ko kwitaba umusi mukuru, vyongeweko guterera uburyo,bitategerezwa kuba itegeko,naririya ari mugihe hasanzwe hari ubukene ubukene bwiye hose businzikaje abakozi ba Leta. Uwundi mugwi w'abantu urabwa n'izo ntererano z'agahotoro: abayobozi hamwe n'abigisha baserukira abandi ku mashure ya Leta.Abo banyuma babwirizwa gutanga muri CNDD-FDD amahera angana na 26 500 FBU ku mashure afiseigisata cínyuma yíshure shingiro, na 20 000 FBU kubafise ishure shingiro gushika ku gice ca gatatu cayo.Kubwo umukuru w'igisata ayo mahera abwirizwa kuva ku buryo 'bukoreshwa námashure,mu ntumbero yo gushimira umugambwe kuko wabahaye amabanga yo kuyobora ishure.

Iruhande yo guhakwa guhambwa amanuta mabi,abayobozi batotanga ayo mahera afatwa nk'ico icumi mu majambo yúmugambwe bizotuma yandikwa ku «rutonde rwirabura » rw'abantu batazosubira guhabwa amabanga.Inyuruzwa ry'uburyo bukoreshwa n'amashure buja mu bikorwa vy'umugambwe yari yagenewe ivyankenerwa vy'ishure riraraje ishinga haba ku bayobozi canke ku banyeshure,ku bigisha no ku bavyeyi.Muri make,ni igihugu cose kihahombera,mu gihe igisata cíndero gisanzwe gisinzikajwe n'ingorane z'intwaro.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

# II. UBURENGANZIRA BWO KWIGENGA NO MURI POLITIKE

## II.1. UBURENGANZIRA BWO KU BUZIMA

### II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE

#### II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABO MURI RETA

**Uruyoya rwapfuye kubera kubera ubusamazi bw'abaganga**

Kuwa 8 Ndamukiza 2026, ku kigo z'ubuzima ca Kibongera, muri komine Muyinga, mu ntara ya Buhumuza, Kabagabire Belune,ava ku mutumba Kibongera, w'imyaka 38, yagiye kwibaruka mw'ijoro hanyuma asanga umuforoma yari kw'izamu ntiyatonze. Kubw'ivyabona vyo muri ako karere,yakiriwe n'umukozi ajejwe isuku yama akora mw'ijoro mu kibanza c'abaforoma hanyuma bateye vyanka gushika aho uyo mukozi atabaza umuforoma,nawe aza yaborewe. Umuforoma yaciye afata ingingo yo kumurungika ku bitaro vy'i Muyinga ariko bashitse ku bitaro umwana yamaze gucikana hanyuma bamurungika ku bitaro nawe turashoboye vy'i Karusi. Uwugendesha rusehabaniha aca arihenda amujana i Ngozi aho kumujana Karusi. Uwo yabuze umwana asaba ko uwurongoye ikigo c'ubuvuzi bwa Kibongera ko bwotanga ibihano vy'akazi umuforoma yategerezwa kuba ari kw'izamu kandi adaba ubutungane gukora igikorwa cabwo.

#### II.1.1. 2. ABANTU BISHWE KUBERA KWIHANIRA

**Umugore yishwe mu bunywero,muri komine Ntahangwa, mu ntara ya Bujumbura.**

Mw'ijoro ryo kuwa 14 Ndamukiza 2026,hafi y'isaha zitanu z'ijoro , muri karatiye ya 5 muri zone Ngagara muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura, mu bunywero bita Peace House, Séraphine Harushukuri yarishwe agonzwe na Gaspard Baranderezako w'imyaka 63 , umwigisha wo muri Kaminuza bari mu bunywero bumwe n'uwo yishwe.

Ku bwo ivyabona vyaho,mu ntango,uwo yishwe na Gaspard Barangerezako barikumwe mu bundi bunywero,ku mukobwa yitwaNadia, buri muri karatiye 5 muri zone Ngagara. Haciye umwanya,Gaspard yashatse gutaha hanyuma uwo mugore aramutangira aja guhagarara imbere y'ingeshwa yiwe ashaka ko bogumana basangira ibinyobwa. Umugabo Gaspard yarinjiye mu ngendeshwa yiwe,ariko umugore,ariko uwo mugore aranka kumureka ngo agende mukuguma imbere y'ingendeshwa ya Gaspard hanyuma uwo yaruhutse amugonze abibona hanyuma ikiziga c'uwo yishwe bamutoye nko ku metero hafi 50 yaho vyabereye.

Inyuma yo kurondera Gaspard igihe kinini, yahavuye afatirwa mu Kamenge-ku gituro co mu buraruko bwo mu gisagara ca Bujimbura mu bunywero bita « Amsterdam »mu gitondo ca kare co kuwa 15 Ndamukiza hafi y'isaha imwe mugihe yariko anywa ikirahuri ca nyuma.

Ikiziga c'uwo muhisi, inyuma yo gucika-na,yajanywe mu buruhukiro bw'ibitaro Roi Khaled ya Kamenge kandi Mr Gaspard Barangerezako yarapfunzwe mu ntumbero yo kumukorera urubanza.

Uwo mwigisha yarumvirijwe kw'igenekerezo rya 17 Ndamukiza 2026 na parake Ntahangwa ariko yarasavye gusabwa n'umushingwamanza hanyuma urubanza rwungururijwe kw' igenekerezo rya 27 Ndamukiza 2026.

**Umuntu yishwe n'uburozi muri komine n'intara ya Gitega**

Kuwa 11 Ndamukiza 2026, muGihamagara,muri komine n'intara ya Gitega, Nizigama J. Marie, w'imyaka 24 ,yarapfuye mu buryo buteye amakenga. Mu mwanya wo gutanga utuganuke,uwo yapfuye yakiriye ibahashairimwo amahera 100 FBu. Uwatanze ayo mahera yamuhanuye mu mpisho ko atovanga ayo mahera n'ayandi. Bukebuke,uwo mugabo yaramerewe nabi cane,yarafise ibimenyetso vy'ugutagira inguvu, munyuma ata ubwenge. Yatwawe vyihuta ku bitaro vy'ababikira bene Tereziya b'i Songa (Béthanie), imbere yuko apfa akihashika yaramenyesheje ko yarozwe.Inyuma yo gupfa,Bandyabose Catheline, w'imyaka 67,yasavye umuryango ko atojana ikiziga mu buruhukiro,yemera ko ashobora kumukiza. Ahamagawe,yaremeye mu kubazwa yemeye ko yashatse kwica uyo muhungu yagira ashinge urwiwe kubera amwagiriza ibintu vyinshi :Ntahombaye Concilie, w' imyaka49 , Karera Luc,w'imyaka 51 , Bucumi Nestor, w'imyaka73 , Itangigomba Spes, w'imyaka65 , Niragira Caritas, w'imyaka 50 , na Mperabanyanka Léonard, imyaka 65.

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro 10)*

Bose barahagaritswe bapfungwa icamaso.
Kubwo intahe zaho,iyo igiporisi kidatabara n'ingoga,abegereye umuhisi baba barihaniye. Naho hari abajejwe umutekano,inzu z'abikekwa zaraturiwe zongera zirasamburwa kdi n'abo mu miryango yabo baterejwe guhunga. Muganga Jacques Nduwimana, musitanteri wa komine Gitega, kandi abandi barongonzi barashitse aho vyabereye kugira bagabanye icuka,ariko atakivamwo.

### *II.1.1.2. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE*

### Urupfu rw'umushikiranganji Gabby Bugaga : hagati y'amakuru yemejwe na Reta hamwe n'ibinyegejwe

Kuwa 16 Ndamukiza 2026, ikiziga ca Gabby Bugaga, umushikiranganji w'Uburundi wo kumenyesha amakuru, ubuhinga bwo guhanahana amakuru hamwe n'ibimenyamakuru ,caratowe mu gitondo mu murima w'ibigazi vyo mu Kivoga n'abahaba. Mw'itangazo ryateweko umukono n'umuvugizi wayo, Jérôme Niyonzima, Reta yihutiye kuvugako urupfu rwavuye kw'isanganya ryo mw'ibarabara,amakuru yateye amakenga menshi .

Umuhari Iteka urerekana ibintu vyinshi bikomeye bidatahuritse : ukubura bidasiguritse inzego z' umutekano zimikingira kandi ari itegeko hamwe no kubura ivyononekaye biboneka biri ku ngendeshwa. Ukwo ikiziga cari kimeze mu kibanza uwugendesha imodokari yicaramwo vyongereza ubwikeka ko atari isanganya ahubwo ko bamuteretseho yamaze kwicwa canke ubwicanyi bujanye na porisi bwinyegeje.Ukubura umuco ku matohoza y' igenga,umuhari Iteka urashikiriza ko hari ibinyegejwe vyinshi. Kuri wo ,ukutubahiriza igisata c'umutekano wiwe hamwe n'ingendo z'amategeko mpana vyaha zategekanijwe igihe batora ikiziga c'umuntu akomeye kuri urwo rwego bituma hemerwa ukuri ko hari ukunyegeza ivyakozwe na Reta.

### Ikiziga catowe muri komine Musongati, mu ntara ya Burunga.

Kuwa16 Ndamukiza 2026,ku gacimbiri Murusabagi, ku mutumba Buyaga, muri zone Muzye ya komine Musongati, mu ntara ya Burunga , ikiziga kitamenyekanye caratowe ku mugoraba,mu ruzi Muyovozi. Kubw'amasoko yo mu karere,abarengana bakibonye kireremba ku mazi yo muri urwo ruzi hanyuma batabaza intwaro zaho.Umuryango utabara imbabare croix rouge warahamagawe kandi ntiwatevye gushika aho vyabereyemu nyuma uyo muntu yararobwe hanyuma arahambwa.Tubamenyeshe ko uwo muntu atashoboye kumenyekana kandi ko icatumye yicwa kitaramenyekana. Abanyagihugu bavuga ko bafise amakenga ko kwama baja mu mutekano muke uva kukubona ibiziga bireremba mu nzuzi kandi basaba umutekano wabo wocungerwa.

### Ikiziga catowe muri komine Gisagara, mu ntara ya Buhumuza

Kuwa 8 Ndamukiza 2026, ku gacimbiri Ruguhu, ku mutumba Muka,muri zone Camazi, muri komine Gisagara, mu ntara ya Buhumuza, ikiziga ca Ernest Ntibazonkiza, w'imyaka 56 , caratowe impande y'urugo rwa Bonaventure Singendakubwabo. Ku bwo amasoko yaho,ikiziga kigira 3 caratowe mu kiringo z'indwi zibiri muri iyo zone ya Camazi. Ernest Ntibazonkiza yarabuze irengero kuva kw'igenekerezo rya 3 Ndamukiza 2026.Abantu batamenyekanye batemye ururimi rrw'uwo yishwe kandi baramukuye n'amenyo abiri. Uwo yishwe

## *II.1.UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro 11)*

yarafise ibimenyetso vy'ibikomere mw'izosi bigatuma kwibaza ko yoba yarishwe hakoreshejwe umugozi. Abantu batanu harimwo Bonaventure Singendakubwabo, Tharcisse Nibisabwa, Joseph Buzagara, Elysé Nzigamasabo na Stanislas Kabonetse, barahagaritswe kumvo bw'amatohoza kandi ubu bari mu gasho ka komisariya y'igiporisi mu ntara ya Cankuzo.

Tumenyeshe ko abantu 5 bahagaritswe kumvo z'amatohoza bose ari abo mu muryango umwe n'uwo yishwe. Uwishwe yaheruka gutahuka mu gihugu avuye mw'ikambi ry'impunzi NDUTA mu Gihugu ca Tanzaniya inyuma y'imyaka myinshi yarahunze.

### *II.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO*

**Umuntu yabuzwe irengero muri komine Cankuzo, mu ntara ya Buhumuza**

Kuwa 15 Ndamukiza 2026, muri komineCankuzo, mu ntara ya Buhumuza, Jacques Baranyizigiye, umuhungu wa Baranyizigiye Michel na Burakuvye Mélange,aba ku mutumba Nyakivumu, muri zone na komine Cankuzo, yara-buzwe irengero. Ku bwo umugore wiwe Baredeka Stéphanie, umugabo wiwe yagiye mu gitondo atumbera ku bitaro vya Cankuzo kwivuza,ariko ntiyigeze agaruka. Yarituye uwurongoye zone Cankuzo Jean Bucumi kugira amufashe kurondera umugabo wiwe,ariko gushika ubu ntamakuru yiwe araboneka.

**Irekurwa rya Elysa Mutoni, inyuma y'ihagarikwa nk'uwunyurujwe,inkuru yashikirijwe mu cegeranyo Iteka n'Ijambo nomero 521**

Hagati yo kuwa 11 no kuwa 14 Ndamukiza 2026, umuhari Iteka waratohoje ivyashikiye Elysa Mutoni,umukobwa akiri muto aba muri karatiye Kanyosha yo muri komine Mugere, mu ntara ya Bujumbura, yari umukozi wo ku nzu y'uburiro yitwa La Silhouette.Ihagarikwa ryiwe mu ntango ryafashwe nk'inyuruzwa.

Ivyo vyatanguye ku wa 11 Ndamukiza muhira iwe,bikorw n'abantu bambaye umwambaro w'igiporisi basiguye ko baje kugira bikenewe ko bamujana ku kirindiro c'igiporisi caho. Ariko,kubwo kubura Elysa mu gihe yariko aronderwa n'umuryango wiwe ku kirindiroc'igiporisi,vyabonetse ko yategetswe kwurira ingendeshwa yo mubwoko bwa probox y'ibiyo bitabona,batera bagana ibiro vy'iperereza,imbere yo kumara ijoro apfungiwe mu nzu y'Ibiro bidasanzwe vy'ukurondera(BSR). Naho irekurwa ryiwe ryabaye kuwa 14 Ndamukiza 2026 kandi agasubira muhira iwe,umuhari Iteka urashikiriza amakenga ufise ku gipfungu hamwe n'akarenganyo kari muri iyo ngendo yogupfungwa bidakurikije amategeko.

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO*

### *II.2.1 UKUBOREZWA IGUFA HAMWE NO GUFATWA BUNYAMASWA*

**Umuporisi yakomeretse mu Kigwena, muri komine Rumonge,mu ntara ya Burunga**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 17 Ndamukiza 2026 ivuga ko kuwa 2 Ndamukiza 2026,ku mutumba nyakuguma,muri zone ya Kigwena,muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga, uwitwa Irambona, umuporisi wo ku kirindiro ca zone Kigwena yarakubizwe yongera arakomereka ku mutwe no ku bitugu ku kuboko kw'ibubamfu bitewe na Irakoze Issa, Imbonerakure yo mu mugambwe CNDD-FDD azwi nk'umunywi w'inzoga zibujijwe n'amategeko. Ku bwo amakuru twatororokanije aho nyene,uwakoze ayo mabi yatanguye gushwana mu nzu y'ubudandarizo kandi ashaka gukubita umudandaza hanyuma uwo nawe aca aratabaza. Umuporisi yaciye ahashika gutabara imbere yo kumuhagarika no kumujana mu gasho ka zone hanyuma baheze bamurungika muri komisariya y'igiporisi mu Rumonge. Uwo muporisi yakubiswe nawe ajanwa ku kigo c'ubuzima ca Cabara hanyuma arungikwa ku bitaro vya Rumonge kugira bakurikirane ubuzima bwiwe.

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTRWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO (Ibikurikira urupapuro 12)*

**Umugabo n'umugore bakubiswe n'Imbonerakure muri komine Rutana, mu ntara yaBurunga**

Kuwa 13 Ndamukiza 2026, hafi y'isaha zitatu z' ijoro ,ku mutumba Karinzi,muri zone Rongero, muri komine Rutana, mu ntara ya Burunga, Salvator Barashingwa n'umugore wiwe Marcelline Itangishaka, bose bo mu mugambwe CNDD-FDD barakubiswe hakoreshejwe inkoni n'Imbonerakure, urwaruka rwo mu mugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD harimwo Elias, Éric na Egide kubera guha indaro umuntu batabwiye umutware w'uwo mutumba.Abo bakubishwe bumva ububabare umubiri wosekandi bari mu bitaro vyo mu Rutana kugira bavurwe mugiye abikekwako icaha bari mw'ibohero rya komisariya ya komine Rutana.Muri iryo joro nyene,uwo muntu yari yasavye indaro ni nawe yabajanye ku bitaro.

### *II.2.2. UGUFATWA KU NGUVU*

**Une fillette violée à Mutambara, commune Rumonge, province Burunga.**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 17 Ndamukiza 2026, imenyesha ko kuwa 4 Ndamukiza 2026,hafi y'isaha cenda ,ku mutumba mutambara,muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga, I.K, w' imyaka 6 yarafashwe ku nguvu n'uwitwa Nduwimana, umwungere w' impene. Ku bwo ivyabona vyaho,uwo yamufashe ku nguvu yahengereye abavyeyi biwe atariho bari muguhenda umwana amuha igitumbura kugira amushurashuze.Hanyuma,yaciye ahunga. Abatware bo hasi baramurondeye ariko baramukena.Uwo mwana yaciye ajanwa ku kigo Humura co mu de Rumonge kugira bakurikirane amagara yiwe

**Umuntu yafashwe ku nguvu muri komine Ngozi, mu ntara ya Butanyerera**

Kuwa 4 Ndamukiza 2026,ku mutumba Rusuguti, muri zone na komine Ngozi, mu ntara ya Butanyerera,umukobwa w'imyaka 10, yarafashwe ku nguvu na Nsabimana Jean Baptiste, afise imyaka 26, umunywanyi w' umugambwe CNDD FDD. Ku bwo amasoko yo mu karere,uwikekwa ko ugufata ku nguvu yahengereye abavyeyi hanyuma abesha umwana amuha ibitumbura.Abajejwe umutekano ku mutumba barahaserutse kugira bajane umwana kwa muganga. Uwikekwa icaha yarahagaritswe hanyuma ajanwa mw'ibohero ka zone Ngozi ariko yatorotse uyo munsi nyene. Abaharanira agateka k'abana bakoranye n'indongozi mu ntara zijejwe imanza zo mumiryango bariko barondera uwo yamushurashuje ku nguvu.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

# III.UBURENGANIRA KU BUTUNZI ,IMIBANO N'IMICO KAMA

## III. 1. UBURENGANZIRA KU NDERO

**Uguheba amashure : Igice ca kabiri c'umwaka w'ishure 2025-2026 muri komine Muramvya mu ntara ya Gitega**

Mu gice ca 2 c'uyu mwaka w'ishure 2025-2026,igitigiri c'abaheba amashure muri komine Muramvya kirateye agahinda. Amashure nshingiro niyo yakozweko cane.

Ku bwo uwurongoye igisata c'indero muri komine i Muramvya, umushingantahe Habonimana Remy, imvo nyamukuru ni : ubukene, ugutwara inda zitipfujwe,indwara,imiryango yimuka,ukuja kwubaka hataragera n'ibindi

Ku bwo amatohoza yakozwe ku banyagihugu, ubukene bwoba aribwo ntandaro nyamukuru yo guheba amashure.

***Gutyo,abahevye amashure kw'i zone hafatiwe ku rugero hamwe n'umuce w'abanyeshure ni :***

**1. ISHURE NSHINGIRO**

| *Zone* | *ABAHUNGU* | *ABAKOBWA* | *BOSE HAMWE* |
|---|---|---|---|
| **Bugarama** | 41 | 17 | **58** |
| **Bukeye** | 39 | 27 | **66** |
| **Kibumbu** | 32 | 29 | **61** |
| **Mbuye** | 27 | 29 | **56** |
| **Muramvya** | 53 | 39 | **92** |
| **Nyarucamo** | 29 | 33 | **62** |
| **Shombo** | 19 | 30 | **49** |
| **Bose hamwe** | **240** | **204** | **444** |

**2. ISHURE Y'INYUMA Y'ISHURE NSHINGIRO**

| *Zone* | *ABAHUNGU* | *ABAKOBWA* | *BOSE HAMWE* |
|---|---|---|---|
| **Bugarama** | 38 | 13 | **51** |
| **Bukeye** | 36 | 26 | **62** |
| **Kibumbu** | 31 | 27 | **58** |
| **Mbuye** | 29 | 25 | **54** |
| **Muramvya** | 56 | 41 | **97** |
| **Nyarucamo** | 22 | 29 | **51** |
| **Shombo** | 17 | 21 | **38** |
| **Bose hamwe** | **229** | **182** | **411** |

*Uwo uri wese ubahirizwa*

## IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI

### IV. 1. UBURENGANZIRA BWO GUKINGIRA UMWANA AMABI HAMWE NO GUHOHOTERWA

**Abakobwa bato bajanywe mu busharashuzi mu kayanza mu ntara ya Butanyerera.**

Mu gisagara caKayanza, makaratiye amwe amwe azwi ko abamwo abagore hamwe n'abadandaza umubiri.Amazone azwi cane ni Bwandimari, haruguru y'isoko nkuru ya Kayanza, na Bereshi, muri karatiye Kigwati. Ayo karatiye ari ku mutumba Musave.I Bwandimari, iyindi ngorane yadutse: igurishwa ry'abana bari munsi y'imyaka 15.Abana bamwe bamwe barakuwe mw'ishurekugira babashire mu mwuga wo kwidandaza umubiri. Binjizwa n'abakobwa bakuze hamwe n'abakobwa bamaze kwinjira mu bushurashuzi hamwe no muri urwo rudandazwa hanyuma bakumvikana n'abagabo kugira babazanira abo bakobwa bakiri bato.

Kubwo amasoko yaho,umwana umwe umwe ,batanga amahera 50 000fbu.Twarumvise ko abo bakobwa bakiri bato bahataariza ubzima kandi ko Reta iguma mugacerere,naho iba izi ibiriko biraba. Mu nama y'abanyagihugu,abavyeyi barashikirije ibibera muri ubwo burere,ari ko intwaro zo muri komine Kayanza ntaco zavuze kuri ayo makenga akora ku gateka k'abana yemejwe n'ibwirizwa nshingiro ryo mu Burundi.

## V. UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Ub*urundi* :**

1. Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga,

2. Guha uburenganzira bwo imiryango y'abishwe kwitua ubutungane hamwe no kubaronsa ivyegeranyo bitangwa n'ibipimo bisuzuma ica bishe imbere yo gu hamba ababo,

3. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana ububegito no guhana aba kora amabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu bishure akabi bakoze.